REPUBLIQUE DU BURUNDI

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°13 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 20 MUKAKARO 2022

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 20 Mukakaro 2022, i Bujumburaa, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 18 Mukakaro 2022, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere yabanje gushimira Umukuru W'Igihugu ku karuhuko yabahaye no ku ntumbero n'impanuro yagiye arabaha muri uyu mwaka w'ikoreshwa ry'amahera ya Reta urangiye w'2021 washira uw'2022.
Abashikiranganji batanguye umwaka w'2022 ushira uw'2023 n'ingoga nyinshi zizotuma bashira mu ngiro intumbero bahawe, gurtyo Reta ishike ku mahangiro yishinze.
Yaciye yipfuriza Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu imihezagiro iva ku Mana kugirango abandanye amurikira neza Abarundi.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Icegeranyo c'umurwi wahawe igikorwa co kwihweza ingene abakozi batondetswe mu miromo yabo**, cashikirijwe n'umwe mu bahanuzi bakuru bo mu bushiikiranganji bwa mbere.

Mu mwaka w'2012, Reta y'Uburundi yaremeje umugambi w'igihugu wo gutunganya ukundi akazi ka Reta, inkingi imwe yawo ikaba ari gutunganya neza ibijanye n'abakozi. Bishingiye ku ntumbero y'uko umwimbu wosa n'amahangiro yashinzwe.

Reta iheruka kandi kwemeza politike nshasha y'itunganywa ry'imishahara, imwe mu ntumbero yayo kukaba ari ugutanga umushahara ufatiye ku kazi umukozi arangura, kagaragara neza .

Ni muri iyo ntumbero hashinzwe umurwi ukaba wari watumwe ibikorwa bikurikira:

- Kwihweza neza ingene abakozi batondetswe mu buzi be n'ico umwe wese akora mu bushikiranganji n'ibindi bisata vya Reta ;
- Kuraba ahari abakozi b'umurengera, be n'abakozi bakenewe mu bushikiranganji n'ibindi bisata vya Reta;
- Kwerekana icokorwa kugirango abakozi ba Reta bakoreshwe nk'uko bitegerezwa.

Uwo murwi waraba abakozi ba Reta gusa. Abo mu mashirahamwe yegamiye Reta ntibarimwo kuko bafise amategeko biharije abagenga.

Uguharura abakozi bakenewe n'abarenga ku bakenewe vyashingira kuri ibi bikurikira:

- Kuraba ico umukozi ajewe
- Kuraba ko ico umukozi akora kijanye n'ivyo yize
- Kwihweza amategeko agenga igisata umukozi akoramwo.

Ivyo bimaze kwisungwa, uwo murwi wasanze mu bisata bifise abakozi benshi hari ibihumbi bitatu n'amajana atatu na mirongo umunani n'umunani (3388), abakenewe bakaba ari ibihumbi bibiri n'amajana indwi na mirongo icenda n'umwe (2791), n'abarenga ku bakenewe amajana ane na mirongo ibiri n'umunani (428).

Ivyo navyo bishobora kuba ari ingaruka yo kuterekana neza ico umukozi ajejwe, kugabanganya nabi akazi ku bakozi, gushiraho ibisata bitategekanijwe n'amategeko, n'ibindi.

Kugirango abakozi barenga ku bakenewe barungikwe mu bundi buzi canke mu kurondera abandi bakenewe basabwe, bisaba ko ico umw'umwe wese ajejwe kibanza gutomorwa.
Bisaba kandi ko abagiye mu karuhuko k'izabujuru batosubirizwa.

Ivyoshikwako vyofasha ubushikiranganji gutegura amategeko abereye yerekana imirimo y'ibisata vyose n'abakozi bakenewe mu gisata kimwe kimwe, kugirango hategurwe neza amasezerano y'ico umw'umwe wese yiyemeje gushikako, bifatiye kugushinga umuntu wese ico ashoboye.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza ico cegeranyo, **yarashimwe** ivyo uwo mugwi washikirije navyo bikaba ari ibi bikurikira :

- Gutegura amategeko nshikiranganji ashira mu ngiro amategeko atunganya ubushikiranganji butandukanye, atomora abakozi bakenewe mu gisata kimwe kimwe cose, imirimo ico gisata kijejwe, n'ibindi ;
- Gutomora ico umukozi aba ajejwe imbere yo gutanga akazi;
- Gusubiramwo ivyo abakozi bajejwe hisunzwe amategeko ahari, ntihatondekwe ubuzi hisunzwe abakozi bahari;
- Gutunganya neza ivyo abakozi bajejwe mugufatanya ubuzi bumwe bumwe ;
- Kurungika ahandi abakozi badakenewe;
- Kurungika mu karuhuko k'izabukuru abakozi bakwije imyaka yo gukukuruka kiretse abo bigaragara ko bakenewe cane kandi atabariho babasubirira;
- Gukosora utunenge tuhari mu bijanye no gutanga akazi hafatiwe ku co umukozi ashoboye kandi akora ntihisungwe gusa urupapuro rw'umutsindo ;
- Gushikana iki gikorwa mu bisata canke amashirahamwe yegamiye Reta kugirango ntihabandanye haba abakozi b'umurengera batuma amahera agenewe guhemba abakozi aba umurengera, bigashobora no gutuma ivyo bisata canke ayo mashirahamwe ahomba.

Ibindi inama nshikiranganji **yashikirije** ni ibi bikurikira:

- Ku bushikiranganji bumwe bumwe nk'ubujejwe umutekano, ukwivuna abansi, ikigega ca Reta, imigenderanire be n'ubutungane, kuraba ingene bwokworoherezwa kuko hari ibisabwa ubundi bushikiranganji vyogorana gushira mu ngiro ku bakozi babwo bamwe bamwe baba bavuye mu yandi mabanga. Ariko nabwo bwotegekanya ibibanza bazoshikiramwo ;
- Kuraba ingene abakozi bamwe bamwe bohindurirwa akazi mu bushikiranganji basanzwemwo canke bakarungikwa ahandi ;
- Abakozi bazoba babuze ibibanza kubera ata kazi kahari kajanye n'ivyo bize bokwongerererezwa ubumenyi kugirango bashobore kuronka akazi ahandi.

**2. Integuro zijanye n'iyubakwa ry'ikigo kinini c'idandarizo ahahora isoko nkuru ya Bujumbura:**

- **Integuro y'amasezerano yo gutiza ico kibanza**
- **Integuro y'itegeko ritiza ici kibanza ishirahamwe « Mukaza Business Center »**
- **Integuro y'itegeko ryemerera Reta y'Uburundi gushira umutahe mw'ishirahamwe « Mukaza Business Center »**

- **Amasezerano y'abanyamutahe b'ishirahamwe "Mukaza Business Center »**

Izo nteguro zashikirijwe n'umwe mu bakozi bakuru bo mu bushikiranganji bwa mbere.

Kw'igenekerezo rya 18 Rusama 2022, inama nshikiranganji yarihweje aho umugambi wo kwubaka ikigo kinini c'idandarizo ahahora isoko nkuru ya Bujumbura ugeze, uwo mugambi ukaba uzorangurwa n'ishirahamwe ry'amabanki yo mu Burundi.
Inama nshikiranganji yasanze uguteba kw'ibikorwa gushobora kuba kwatumwe n'ingene ivyo bikorwa bitegerezwa kugenda birakurikirana, kuko nk'ivyigwa ntivyokorwa imbere y'uko hashingwa ishirahamwe rusangi hagati ya Reta n'ayo mabanki, kuko ari ryo rizoca ribandanya ibikurikira. Ico gihe inama nshikiranganji yaciye isaba ko :

- Mu kiringo c'ukwezi kumwe iryo shirahamwe ryoshirwaho kugirango intambwe zikurikira zishobore kubandanya;
- Abazoba bayoboye iryo shirahamwe bogira ikirangaminsi c'ibikorwa kiri ku gihe ;
- Kurondera n'abandi banyamitahe kugirango binjire muri uwo mugambi.

Izo nteguro rero zemejwe zizotuma iryo shirahamwe rivuka, abarirongoye baheze bategure urundi rupapuro rw'inzira. Bazoheza bakurikirane n'izindi ntambwe zose zijanye n'iyubakwa ry'ico kigo c'idandarizo.

**Integuro y'amasezerano yo gutiza ico kibanza** yerekana ivyo uruhande rumwe rusabwa n'ivyo rufitiye uburenganzira, ingene ico kibanza kizokoreshwa, ikiringo c'uko gutiza, ingene amatati azotorerwa umuti, n'ibindi...
**Itegeko ritiza ico kibanza** naryo rigiyeho rizotuma ayo masezerano aterwa ko umukono. Rirerekana uburinganire bw'ico kibanza, rikerekana ico ico kibanza kizokoreshwa, rigatomora kandi ko ico kibanza kiguma ari itongo rya Reta.

**Integuro y'itegeko ryemerera Reta y'Uburundi gushira umutahe mw'ishirahamwe « Mukaza Business Center »** nayo isaba ko Reta yogira ibice cumi kw'ijana (10%) vy'umutahe.

Ku bijanye n'**amasezerano y'abanyamutahe b'ishirahamwe "Mukaza Business Center ,** avuga ingene iryo shirahamwe rizoyoborwa, ni ukuvuga ingene abagize urwego nshingwantwaro bagenwa, n'ingene umuyobozi mukuru atorwa.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza izo nteguro **yarazemeje**, mu vyo yashikirije hakaba harimwo ibi bikurikira :

**Ku nteguro y'amasezerano yo gutiza ico kibanza**:
- Kuvuga ingene ico kibanza kimeze aho kuvuga ko kigaragara;
- Gutomora ikiringo cohabwa abarangurira ibikorwa muri kirya kibanza kugirango babe bahavuye;
- Kwerekana neza muri aya masezerano ico impande zose zisabwa;
- Gutomora neza utwo twose twoshobora kudatahurwa kumwe na bose

**Ku nteguro y'itegeko ryemerera Reta y'Uburundi gushira umutahe mw'ishirahamwe « Mukaza Business Center »**:
- Gutomora ko umutahe ari imiliyaridi mirongo itandatu(60) ariko ku mu mwanya wa mbere hazotangwa zitandatu (6) zizofasha mu gukora ivyigwa;
- Gukuramwo ingingo ibuza Reta kutarenza ibice cumi kw'ijana vy'umutahe.

**Ku bijanye n'amasezerano hagati y'abanyamitahe** :
- Kwerekana uburinganire bw'ico kibanza;
- Gukura ibanki y'urwaruka n'ibanki y'abakenyezi mu banyamitahe kuko ntizikwije ibisabwa.

3. **Integuro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya igisata kijejwe gukurikiranira hafi ugutwara abantu n'ibintu n'ibarabara ry'indarayi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi

Mu ntumbero yo guteza imbere ubutunzi, Umugambi w'igihugu w'iterambere urategekanya guteza imbere inyubako zifasha mu gutwara abantu n'ibintu, nko mukwubaka amabarabara y'indarayi afatanya Uburundi n'ibindi bihugu.

Kugirango ivyo bishobore gushikwako, habwirizwa gushirwaho inzego zikurikirana ico gisata co gutwara abantu n'ibintu hakoreshejwe ibarabara ry'indarayi.

Reta y'uburundi, Reta ya Tanzaniya na Reta iharanira Demokarasi ya Kongo zaramaze gushiraho amasezerano kugirango zubake ibarabara ry'indarayi UVINZA-MUSONGATI-GITEGA-BUJUMBURA-UVIRA-KINDU.

Kuvyerekeye igice Uvinza-Musongati-Gitega, ibikorwa bigiye gutangura vuba.

Birakenewe rero ko Uburundi bushiraho igisata gikurikirana ibikorwa mu mwanya wa mbere, hanyuma kikazokurikirana ingene iryo barabara rikoreshwa, kikongera kikaribungabunga.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya igisata kijejwe gukurikiranira hafi ugutwara abantu n'ibintu n'ibarabara ry'indarayi yashikirijwe.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Ku bijanye n'urwego nshingwantwaro, nta cobuza ko n'uwutari Umurundi yojamwo bibonetse ko afise ico yoterera;
- Ntibikenewe gushira mw'itegeko ko uwuri mu rwego nshingwantwaro abogozwa iyo hari amakosa amwagira;
- Ibisata (services) vyotomorwa vyose muri iyi nteguro;
- Hotomorwa ko iruhande ya konte nkuru iri mw'ibanki nkuru y'igihugu, ico gisata gishobora kwugurura iyindi konte mw'ibanki isanzwe;
- Itegeko rigenga igisata gikurikiranira hafi ugutwara abantu n'ibintu n'ubwato n'ibarabara ry'indarayi ryosubirwamwo.

4. **Integuro y'itegeko ritangaza ko ikibanza kigenewe inyubako z'ibarabara ry'indarayi gikenewe ku nyungu rusangi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro

Reta y'Uburundi, Reta ya Tanzaniya na Reta iharanira Demokarasi ya Kongo zaramaze gushiraho amasezerano kugirango zubake ibarabara ry'indarayi UVINZA-MUSONGATI-GITEGA-BUJUMBURA-UVIRA-KINDU rifise uburebure bw'ibirometero amajana icenda na mirongo itatu n'icenda (939).

Iyo nyubako isaba itongo rinini, ni ukuvuga ahazoca ibarabara, ahazubakwa ibituro, n'amazu yo gukoreramwo.

Ku bijanye n'igice c'ibirometero ijana na mirongo ibiri na bitandatu (126) kuva ku ruzi Malagarazi gushika i Gitega, Uburundi butegerezwa kuronka itongo ry'ubwaguke bw'imetero mirongo itatu ku ruhande rumwe rumwe rw'iryo barabara, be n'aho kwubaka ibituro. Kubw'ivyo, hakenewe ahantu hafise uburinganire bwa hegitare amajana indwi na mirongo itanu na zitandatu (756).

Kugirango aho hantu haboneke, hategerezwa kujaho itegeko ritangaza ko ikibanza kigenewe inyubako z'ibarabara ry'indarayi gikenewe ku nyungu rusangi kugirango beneho baronswe umuzibukiro.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro yashikirijwe.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, muvyo yayunganiyeko hakaba harimwo ibi biukurikira :

- Kwerekana imitumba yerekewe n'uwo mugambi muri Komine imw'imwe yose kugirango iboneke neza;
- Gutomora neza ko mu ma hegitare akenewe imetero 30 ku mpande zose z'iryo barabara,n'aho kwubaka izindi nzu zikenewe haharuwemwo;
- Gutunganya neza igicapo cerekana imitumba yose iryo barabara rizocamwo;

5. **Icegeranyo c'ivyashikirijwe n'abafise ibibanza mu Maramvya inyuma yo gutangaza ivyashitsweko n'umurwi wari washinzwe kwihweza ikibazo c'ayo matongo,** cashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi

Kw'igenekerezo rya 05 Ndamukiza 2022, Inama nshikiranganji yarihweje ikibazo kijanye n'amatongo ari muri Zone Maramvya, muri Komine Mutimbuzi, kibaba cari icegeranyo cari cakozwe n'umurwi wari washizweho n'ubushikirangaji bujejwe amatongo n'ubujejwe intwaro yo hagati mu gihugu. Inama nshikiranganji yarashimye igikorwa cakozwe n'uwo muri , ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Kumenyesha abo bose vyega umwe wese uko itongo ryiwe ryifashe;
- Guhagarika ibikorwa vyose vyoba biriko birakorerwa ku matongo arimwo amatati ;
- Gufata ingingo zikenewe kuhariko harubakwa hozana ingaruko mbi ku benegihugu, cane cane ku bubaka munsi y'intsinga z'umuyagankuba;
- Kugarukana mu nama nshikiranganji ico kibazo abo vyega bose bamaze kubimenyeshwa kugirango Reta ifate intumbero ya nyuma.

Haciye hashingwa umugwi ushira mu ngiro ivyashikirijwe n'imana nshikiranganji.

Hisunzwe rero ivyashikirijwe n'abahawe ayo matongo be impapuro zashikirijwe, uwo murwi warasohoye ikindi cegeranyo, ari co cihwejwe mu nama shikiranganji yo ku wa 20 Mukakaro 2022.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino ico cegeranyo, yarabonye ko abantu bose ico kibazo cega bumvirijwe, kandi ko udukosa twarimwo mu cegeranyo ca mbere twakosowe.

Inama nshikiranganji yaciye i**shikiriza** ibi bikurikira:

- Umurwi wakoze ico gikorwa wagikoze m'ubuhinga kandi n'uwo gushimirwa ;

- Itongo rya Maramvya ni irya Reta;

- Ku matongo yatanzwe yaba ayubatswemwo canke atarubakwamwo, nta gikorwa na kimwe barekuriwe kuhakorera gushika hafashwe izindi ngingo bazomenyeshwa;
- Ubushikiranganji bujejwe ibidukikije, ubw'ubutungane, ubujejwe intwaro yo hagati mu gihugu bworaba amategeko ahari kugirango butore ibihano bibereye kuri abo banyaze Reta ;
- Abajejwe intwaro bihaye uburenganizira bwo gutanga amatongo batabifitiye ububasha bokurikiranwa n'ubutungane bagahanwa hisunzwe amategeko.

6. **Urwandiko rwerekeye umugambi wo kwubaka ibigega vya kijambere vyo kubikamwo ivyimburwa no kwubaka amahinguriro y'ivyo vyimburwa,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi

Mu ntumbero yo kubika umwimbu no kuwukoresha neza kugirango inzara irwanywe, Reta yipfuza kwubaka ibigega bine vy'Intara. Hazotangura bibiri, ic'i Karusi n'ic'i Ngozi, hanyuma hakurikire ic'i Bubanza n'ico mu Rutana.

Intumbero ni ukwubaka ibigega bigezweho, bikwije ibisabwa kugirango :

- Umwimbu ubikwe neza hanyuma ushirwe kw'isoko hageze, n'ibiciro vyashinzwe na Reta vyubahirizwe, abaguzi ntibazimbwe ;
- Ivyimburwa ntibite akanovera;
- Ivyimburwa bikingirwe ntivyibwe ;

Ku bwoko bubiri bw'ibigega bwashikirijwe, ni ukuvuga ibigega bibika ivyumye gusa, n'ububika ivyumye na bibisi, ibigega bibika ivyumye na bibise nivyo vyatowe ko vyokwubakwa.

Twomenyesha ko ivyo bigega bizokwubakwa hakoreshejwe uburyo bwavuye mu mfashanyo yatanzwe n'igihugu c'Ubuyapani, nk'umuceri canke ibitoro.

Uwo mugambi uzorangurwa n'ishirahamwe ryo mu Buyapani ryitwa KONOIKE. Inama nshikiranganji imaze kwihweza urwo rwandiko, **yarashigikiye** uwo mugambi.

7. **Urwandiko rwerekeye ingorane zifatiye kw'ikena ry'abaganga n'abahinga mu kuvura ibitungwa be n'ivyokorwa mu ntumbero yo kuzitorera umuti,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Mu Burundi,igisata c'uburimyi nico gihambaye mw'iterambere ry'ubutunzi. Iruhande yaco, ubworozi nabwo nyene bufise uruhara ntangere.

Mu ntumbero yo guteza imbere igisata c'ubworozi, Reta y'Uburundi yarashizeho igisata c'abaganga b'ibitungwa, hakaba hariho umuganga ku rwego rw'Intara,

umuhinga mu kuvura ku rwego rwa Komine, be n'uwumufasha muri Zone. Ariko inyuma y'umwaka w'1998, abafasha kuvura ibitungwa barakuwe mu kazi kubera ikibazo c'uburyo muri Reta, bica bituma aborozi batagira ababakurikirana n'ababaha impanuro ku bitungwa vyabo.

Ariko, kubera utwigoro twa Reta mu guteza imbere ubworozi ngo bube imwe mu nkingi yo gushigikira ubutunzi, bwarateye imbere cane.

Ariko rero ibisata bikurikirana ubwo bworozi ntivyagiye kuri uwo murindi ahubwo vyasubiye inyuma.
Muri iki gihe, igihugu kirakenye cane abaganga b'ibitungwa.

Uru rwandiko rurekena ivyokorwa kugirango igisata co kuvura ibitungwa gikomere, nko mu kukironsa abakozi babishoboye biciye mu nyigisho, no kurondera bashasha basubirira abakukurutse. Rurashikiriza n'ibindi vyokorwa kugirango ibitungwa bigwire mu Burundi.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza urwo rwandiko, **yarashigikiye** ivyo rushikiriza, ica yongera ishinga ibi bikurukira:
- Ubushikiranganji bujejwe indero bworaba ko mu bo burungika kwiga hanze igisata c'ubuvuzi bw'ibitungwa coja mu bija imbere y'ibindi;
- Abakukurutse b'abahinga mu kuvura ibitungwa bakibishoboye bogarukanwa mu kazi;
- Kunagura ubumenyi ku bashobora gufasha mu kuvura ibitungwa ;
- Gutera intege abikorera ivyabo bagashira imitahe mu kwigisha abavuzi b'ibitungwa ;
- Gushira muri Kaminuza y'Uburundi igisata kijejwe kwigisha kuvura ibitungwa ;
- Kuronsa ibikoresho bikwiye abavuzi b'ibitungwa mu gihugu.

8. **Urwandiko rujanye n'ingene umugwi w'igihugu ujejwe ibiganiro hagati y'abakozi n'abakoresha wotunganywa gushasha,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi

Kw'igenekerezo rya 25 Rusama 2011, Reta, abakoresha n'abakozi barashize umukono ku masezerano ajanye no kuganira ku bibazo bijanye n'akazi.
Mu nyuma, harashizweho umugwi w'igihugu woza uratunganya ivyo biganiro.
Ugizwe n'abantu indwi (7) baserukira Reta, indwi (7) baserukira abakoresha, n'abantu indwi (7) baserukira abakozi.

Kubera imirimo uwo mugwi ujejwe, abakozi ufise ntibakwiye kugirango uyirangure neza. Nico gituma hagumye hashikirizwa iciyumviro c'uko

wotunganywa ukundi ukaja ku rwego rw'inama nkuru y'igihugu ijejwe ibiganiro hagati y'abakozi n'abakoresha, gurtyo ushobore kuronswa abakozi n'ibikoresho bikwiye.

Uru rwandiko rurekana inzira zokurikizwa kugirango uwo murwi w'igihugu ujejwe ibiganiro hagati y'abakoresha n'abakozi uje ku rwego rw'inama nkuru y'igihugu.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza, urwo rwandiko yasanze **atari ngombwa** ko uwo murwi worinda gutunganywa ukundi. Igikuru ni uko woronswa ibikenewe kugirango ukore neza. Ivyo navyo inama nshikiranganji ikaba yarashigikiye ko uwo murwi woronswa ibikenewe.

9. **Urugero rw'amahera azokoreshwa muri Reta mu gice ca mbere c'umwaka w'i 2022 ushira uwa 2023,** rwashikirijwe n'umushikiranganji ajewe ubudandaji, mu kibanza c'umushikiranganji w'ikigega ca Reta yari yafatiriwe n'ayandi mabanga.

Urugero rw'amahera akoreshwa rubwirizwa gukurikiza amategeko ahari nayo akaba ari nk'iryerekeye ingene amahera ya Reta akoreshwa, ibwirizwa rishinga amahera Reta izokoresha mu mwaka w'2022 ushira uw'2023, naryo mu ngingo yaryo ya 37 rikaba ritegeka kwerekana urugero rw'amahera akoreshwa mu bisata vya Reta ku mezi atat'atatu, Inama y'Abashikiranganji ikabwirizwa kuvyemeza.

Urwo rugero rw'amahera ni igikoresho gihambaye mu gukurikirana neza ingene amahera akoreshwa. Muri uyu mwaka w'amahera Reta ikoresha w'2022 ushira uw'2023, urwo rugero rw'amahera rwisunga indinganizo ifatira ku bikorwa bizorangurwa ku mwaka n'uburyo bizotwara (PTBA) mu bushikiranganji butandukanye, be n'ibindi bisata vya Reta, be rero n'ingene uburyo buzoza buraboneka.

Urwo rugero rw'amahera rwerekeye amahera yose akoreshwa. Azosohoka hafatiwe kuyinjiye mu kigega ca Reta.

Muri iki gice ca mbere c'umwaka amahera azinjira azogera ku miliyaridi amajana ane na mirongo itatu na zitanu n'ibice umunani (435,8) z'amahera y'amarundi, mu gihe ayakenewe gukoreshwa agera ku miliyaridi amajana atanu na cumi n'indwi n'ibice icenda (517,9) z'amahera y'amarundi**.** Harategekanijwe amahera agera ku miliyaridi zitanu azoshobora gufasha mu vyihuta bishitse giturumbuka bitategekanijwe

Mu kuzibira ico gihengeri kingana hafi imiliyaridi mirongo umunani na zibiri n'igice kimwe (82,1), Reta izofata ideni yongere yikore ku mahera abitswe n'amashirahamwe ifisemwo imitahe.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, **yarayemeje**.

## 10.Utuntu n'utundi

- Umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi yaramenyesheje inama nshikiranganji ingene ibintu vyifashe inyuma y'aho hateye ingwara mu bitungwa cane cane inka, be n'ibiriko birakorwa mu ntumbero yo kuyirwanya. Yamenyesheje ko incanco za mbere zabonetse, ko n'izindi zitazoteba gushika mu gihugu.
  Inama nshikiranganji yaciye isaba ko inka zose zopimwa, izimaze kwandura zigatandukanywa n'izikomeye.
  Haciye hashingwa umurwi ku rwego rw'igihugu ujejwe gukurikirana ibikorwa vyo kugwanya iyo ngwara, ukaba ugizwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, uw'uburimyi n'ubworozi, uw'amagara y'abantu, uwuserukira Ibiro vy'Umukuru w'Igihugu, uwuserukira ibiro vy'Icegera c'Umukuru w'Igihugu be n'uwuserukira Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere.

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaribukije abashikiranganji guhimiriza abakozi bo mu bushikiranganji bajejwe kuja ku kivi kugira ubuhinga bushasha bwo gukoresha amahera ya Reta buze bube kirumara. Kanatsinda ni no kunyungu zabo kuko ubu umukozi azohemberwa ico yakoze.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 21 Mukakaro 2022

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE